*THE DEATH OF MOSES*

**Lesson 144**

**DEUTERONOMY 34 :1-7**

Memory verse : " ***I heard the voice from heaven saying : "Write, blessed are the dead who died in the Lord from now on". That they may rest from their labors***" Revelation 14:13

# *URUPFU RWA MOSE, INZIRA Y'UMUNTU WESE.*

## Icirwa c'i 144

### Gusubira mu vyagezwe 34:1-7.

Iambo ngenderwako :"***Numva ijwi rivuye mw'ijuru rimbwira riti:<<Andika uti : Kuva ubu harahiriwe abapfa bapfira mu Mwami''  ngo baruhuke ubutame bwabo*** " Ivyahishuwe 14:13

## I. Intangamarara

Mose Umukozi w'Imana w'umwizigirwa, yahamagawe afise imyaka 80 none arakwije imyaka 120. Amaze guheraheza igikorwa cose yaremewe kandi akagitoranirizwa,  harageze ko afata inzira ab'isi bose bajana.  Yahora ashobora gusenga Imana igahindura imigabo, ariko iyo bigeze muri uyo mwanya, umwe wese yemera ingingo yafashe igashirwa mu ngiro.

## II. Mose ntiyashitse i kanani.

**Soma Gusubira mu vyagezwe 22:48-52**.  Naho bibiliya ishingira intahe ubugororotsi budasanzwe bwa Mose, Imana ntiyabuze kumufatira ibihano bihwanye n'icaha yakoze. Izina, igikorwa canke icibahiro ufise mu rusengero, ntivyotuma Imana itazoguta muri Gihonomu igihe cose woba wabikora ugakora n'ivyaha. Naho abantu boba. Ukwiye gukizwa gose izina ryawe rikandikwa mu gitabo c'ubugingo. Ubu nibwo butungane bw'Imana.

### III. Urupfu ni kubari n'umubiri bose

Imana yarakunda Mose, ariko kuko yari acambaye umubiri, yategerezwa gupfa. Bibiliya mw'isezerano rya kera yerekana abantu 2 bagiye mw'ijuru badapfuye Henoki na Eliya.  **Itanguriro:5:24** «*Henoki yagendana n'imana, araheza ntiyaba akiboneka, kuko Imana yamujanye* » ; 2 Abami 2 :1- .

Aya mahirwe ntaho yasubiye kuboneka no mw'isezerano rishasha. Ikiboneka ni ukoUhoraho yitaho kandi akanezezererwa n'urupfu rw'abakunzi biwe. **Zaburi 116 :15** « *Urupfu rw'abakunzi biwe ni urwo agaciro mu nyonga z'Uhoraho*. » Iki nico catumye Imana iba ariyo yitegurira urubanza rwo gupfa rw'umukunzi wayo Mose (ikibanza, ikimwica n'ihambwa ryiwe). Uku niko bimeze kubakiriye Umwami Yesu bose, bagaheba ivyaha vyose, bakamukorera mu bugororotsi. Nta rupfu giturumbuka kuri bene abo, kandi naho bene umuntu baba bababaye, mw'ijuru bibabera umunezero. Aba atsinze intambara yo mw'isi.

Abanse kwihana bo bapfa badafise ivyizigiro. Mu gihe baba bakoreye umwami mubi Satani, nta kandi yobaha atari ico afise, amagorwa y'ibihe bidashira.

Igihe umuntu apfuye, impwemu yiwe irwanirwa n'inguvu zibiri nk'uko vyabaye kuri Mose. (Abamalayika ba Yesu n'abadayimoni ba Satani) **SomaYuda 1 :9** Iyi ntambara iza gutaturwa nico umuntu ubwiwe yahisemwo akiri mw'isi. Birakwiye ko umuntu agira uruhanda yegamiye, ntabe akazuyazi kugira bize vyorohere abamarayika kumwakira avuye mu mubiri.

## IV. Gusiga iragi ryiza.

**Soma gusub 34 :8-12** Mose yabaye umukozi mwiza mu bikorwa vy'Uhoraho gushika aho handikwa ko atawogerereranywa nawe kandi niko biri. Yari umurongozi w'abantu bagoye cane, ariko akabakunda akabasengera, akabahezagira. Imbere yuko apfa yari yarateguye Yosuwa kuzosigarana igikorwa. Yamwigisha uko bubaha Imana, akamukundisha ivyagezwe, akamwereka uburongozi bwiza, akamusengera, amumenyesha n'umugambi w'Imana kuri we n'Abisirayeli. **Gusubir 31:14-15**

Iki nico catumye Abisirayeli bagandarira Mose bakamuririra kuko babona ko bahomvye umugabo w'ingirakamaro mu muryango wabo.

Hari igihe umuntu apfa, abantu bakababara hakabaho n'uwundi apfa, bakabibona nk'inyishu. Baramutse banditse igitabo c'ubuzima bwiwe, ugasanga ni iragi ribi : (Amazu yamenye ari igisuma, abana yavyariye mu gahinga, ubutunzi yasesaguye, abantu yishe abahaye ishano, abagabo benshi yarongoweko, amadeni y'umurengera apfanye,….) Ibi ni ibikorwa vy'umuntu wa kera. Kubakijijwe, bisaba kubaka iragi ryiza, hamwe n'abagukomokako batazotinya kuvuga ko wari se wabo canke nyina wabo. Bikorohera ishengero kugushingira intahe. Mu gihe umwizera apfuye, ibikorwa vyo kumushingura bikorwa n'ishengero. Abadiyakoni baramwoza, bakamwambika. Ishengero rikamushikana kw'irimbi ; abarongozi bagahezagira umuhango wo gushingura. Umuryango uratanga uburyo busabwa.

## V. Gushira mu ngiro.

Umuntu aravuka, akabaho, agapfa, agahambwa. Kumva yiwe bandikako umwaka w'amavuko n'uwo gupfa. Ibikorwa vyo hagati yiyo myaka ni ibanga ryiwe n'Imana kandi nivyo bizotuma aronka ijuru canke aribura. Nk'uko Yesu Kristo yapfuye, akazuka niko abapfa bapfira mu Mwami bose bazohabwa ubugingo budashira. Abanyavyaha bo bazikangurira urupfu rw'ibihe vyose.

Raba ko wakijijwe, umenye ko iragi ryawe ari ryiza imbere y'abantu n'Imana. Aha uraca umenya abazoza kugusanganira niyo umusi wawe washika. Niba ubonamwo amakenga, imbabazi ziracahari mu nyonga z'Umwami Yesu. Raba ku musaraba, usenge, araguha ingabire nziza.